
INYIGISHO
YO KUMUSOZI
Urufunguruzo
rw'ubuzima bw'impwemu bwuzuye
Ubutumwa bw'ukuri

INYIGISHO YO KUMUSOZI

Urufunguruzo rw'ubuzima bw'impwemu bwuzuye



1ère édition en Kirundi: octobre 2021

Traduit de l'allemand, titre original:
Die Bergpredigt

Pour toute question se rapportant au sens,
l'édition allemande fait référence

© Tous droits réservés
Gabriele-Verlag Das Wort GmbH

Kristo aravuga

(Vyakuwe mugitabo « *Iri n'ijambo ryanje* »)

Inyigisho yo k'umusozi n'inzira Y'Impwemu ishikana k'umutima w'Imana, k'ugutungana.

Nyoborera abanje k'ukumenya ukuri.

«*Hahirwa aboro mu mutima kuko ubwami bwo mw'ijuru ari ubwabo.*»

Ijambo «*aboro*» ntirisigura ubukene bw'ivy'isi. Sibwo buzana uguhimbarwa muri mpwemu, ahubwo ni ukwiyegurira Imana aho umuntu akora ubugombe bwayo. Niwe mutunzi mu mpwemu.

Ijambo «*aboro*» risigura abantu bataronderera kwirundanirizako no kwegeranya ivy'isi... Ubutunzi bw'abo bw'impwemu ni ubuzima mu mana, kubw'Imana no kubwa bagenzi babo. Bagendera ibwirizwa «Senga kandi kora».

«Hahirwa abatuntuye, kukw'aribo bazokwirurwa.»

Ugutuntura kw'umuntu ntigukomoka ku Mana.

Uwemanga ugutuntura kwiwe atawe avyegetseko maze muruko gutuntura agatahura amakosa n'integenke vyiwe,akavyihana, agasaba imbabazi kandi akazitanga, araronka ikigongwe c'Imana.

«Hahirwa abatekereza, kuko aribo bazorarwa isi.»

Gutekereza, guca bugufi, urukundo no gutungana birajana. Uwufise urukundo rutironderera ivyarwo nawe kandi aba atekereza, aciye bugufi kandi atunganye. Yuzuye ubwenge n'inkomezi.

«Hahirwa abafise inzara n'inyota vyo kugororoka, kuko ari bo bazohazwa.»

Ehe, jewe, Umucunguzi wawe, ndi ukuri muri wewe. Ni ukuvuga ndi ukuri muri wewe n'inzira n'ubugingo.

Ehe, ntanumwe yategerezwa gutuntuzwa n'inzara n'inyota vyo kugororoka. Tera intambwe

yambere ugana ubwami bw'urukundo uhereye kukuba uwutunganye muri wewe nyene.

Imenyereze kwiyumvira no kubaho utiyanduza niho uzocika buhorobuhoro umuntu agororotse azana ukugororoka kw'Imana mur'iyi isi...

«*Hahirwa abagira imbabazi, kuko ari bo bazozigirirwa.*»

Abagira imbabazi bose, bazoronka imbabazi kandi bazofasha abari munzira igana kumbabazi.

«*Hahirwa abafise imitima itanduye, kuko ari bo bazobona Imana.*»

Bazobona Imana kuko bahindutse bagasa n'ishusho ya Data wo mw'ijuru. Ugutekereza no guca bugufi biva mu mutima utunganye kandi uri musi y'ubugombe bw'Imana.

«*Hahirwa ababanguranya, kuko aribo bazokwitwa abana b'Imana.*»

Insiguro y'aya majambo ni iyi ikurikira: Hahirwa abanyamahoro. Bazozana kandi amahoro nyakuri kw'isi kuko babaye ababanguranya muri bo. Baratahura ko ari abana b'Imana.

«Hahirwa abahamwa bahorwa ukugororoka kuko ubwami bw'ijuru ari ubwabo.»

Rabe, abankurikiye ntibatahuwe n'abantu b'isi, kuko na jewe kandi nka Yesu baransuzuguye. Ibihe vyose, abakurikira vy'ukuri ukugeza ibirenge vyabo mu vy'Umunyanazareti barihangana cane bakababazwa kandi bakemanga.

«Muragowe mwebwe, abatunzi! Kuko mwamaze kuronka amahirwe yanyu muri ubu buzima.»

Umuntu atunze ivy'isi yatahuye ko ubutunzi bwiwe ari impano yahawe n'Imana kugira abukoresherezemwo isumba vyose, bufashe bose, kandi akabukoresha neza ku neza ya bose, aba ashize mungiro ibwirizwa ry'ubungane, ry'umwidegemvyo, ry'ubumwe n'iry'umuvukano.

Gutyo, hazobaho buhorobuhoro uburinganire, umuryango ugereranye wo kurugezo rwo hejuru ugizwe n'abiteguye bose gushira mungiro m'uburyo butironderera inyungu ibwirizwa «Senga kandi kora».

«Muragowe mwebwe, abahaze, kuko muzosonza.»

Umuntu atunze kandi ahaze atakindi akora uretse kwuzuza ibigega «Vyiwe», afise umutima atakiwugera.

«Muragowe mwebwe,mutwenga iki gihe, kuko muzobabazwa kandi mukarira ejo haza.»

Uwucirurubanza mugenziwe kandi akamutsindisha, utwenga kundishi arihishijwe, akamukekeza kandi akamutyoza, ni Jewe Kristo acira urubanza, atsindisha kandi atyoza, atwenga kandi akekeza Jewe, Kristo.

Ehe, ucumura kuri muto cane mubavukanyi banje acumura kw'ibwirizwa ry'ubuzima kandi azoronka ibimutuntuza.

«Muragowe mwebwe, igihe bose babavuga neza, kuko baso banyu vyabaye gutyo nyene n'abavugishwa b'ibinyoma.»

Igihe mubwira bagenzi banyu ibihwanye n'ivyo bipfuza kugira muboneke neza kandi mumenyekane kuri bo, muba musa n'abagizi

ba nabi bo, mukwironderera inyungu, bigana amafaranga bakanayakoresha mukuriha ibidandazwa.

Mubavugishwa b'ibinyoma, harimwo n'abigisha ubutumwa bwiza bw'urukundo ariko ubwabo batabushira mungiro mubuzima bwabo bwite.

Muri iki gihe c'ihindagurika rikomeye kidukura kw'isi ya kera kandi y'ivyaha kitujana mu gihe gishasha, igihe c'umuco, abatunganye bazoshira ahabona ukugabitanya. Bazokugaragaza kubwo abagukoze kugira batahure ivyo bakoze kandi bihane.

Ndi umuco w'isi.

Uhoraho agira akigoro imisi yose, na nuyu musi kandi, ko kuyoborera abana biwe n'imishaha yose ku mutima wiwe, kw'ibwirizwa ry'urukundo rihoraho, imbere y'isarura, n'ukuvuga imbere y'uko bashikirwa n'ingaruka z'ivyo bakoze. Ni muri Jewe, Kristo, aho Uhoraho abaha gutahura ivyaha vyabo n'amakosa yabo. Akababa inkomezi zo gutunganya ivyo batahuye.

Ehe, mw'ibwirizwa rihoraho ntagahato. Imana, Uhoraho, yatanze ukwihitiramwo ku bana biwe bose.

Amadini amwe ya gikristo, nkuko biyita, ahatira abayoboke babo kukubatizwa mu mazi.

Ni agahahazo kukwihitiramwo kw'umumtu, guhindura umuntu kuba umukristo ku nguvu.

Ni mukwiyambura vyonyene imitegekere, imigenzo, amategeko n'imigirwa bahambiriweko no muguheba kandi ivyiyumviro vyabo bwite bitirira Imana, niho abantu bashobora kuyoborwa ibwina cane muri bo, mu kiremwa cabo nyakuri.

Igihe havuzwe amajambo afise insiguro isa n'iyi: «Vyose birarangiye», utuzatsa tw'ubucunguzi twinjira mu mishaha yose iremerewe kandi yazimiye. Uko niko nabaye kandi ndi na nubu Umucunguzi w'abantu bose n'imishaha yose.

Nakoze nka Kristo w'Imana kandi ndabandanya gukora.

Amabwirizwa cumi Imana yahaye abana bayo biciye kuri Mose yavuye mu bwirizwa rihoraho ry'ubuzima n'urukundo. Ucumura kuraya mabwirizwa, akayigisha ariko ubwiwe atayakurikiza, n'umwigisha w'kinyoma.

Acumura kuri mpwemu w'Imana. N'icaha gikuru gisumba ibindi.

Ehe, kwibwira ko wizera ibwirizwa ry'ubuzima ntibihagije. Ukwizera m'Ubuzima bikura umuntu n'umushaha munzira yigarukagaruka igihe agenda ashira mungiro amabwirizwa y'ubuzima.

«*...iyuzuze na mugenzawe.*»

Ibwirizwa ryo gutanga imbabazi no gusaba imbabazi rizogira agaciro igihe ibinyuranye n'amabwirizwa y'Imana vyakozwe bizoba vyatunganijwe.

Muri buri kibi harimwo kandi iciza, Imana, ibwirizwa rihoraho. Igihe umuntu yitahuye amakosa yiwe n'ivyaha vyiwe akavyihana, inkomezi zitunganye ziri murivyo zirakora...

Nico gituma uwutunganye ashobora gufasha umuntu ari mungorane zitewe n'ikibi yakoze – igihe umuntu asavye imbabazi zivuye ibwina mumutima wiwe, igihe atanze imbabazi kandi ntasubire gukora icaha.

Igihe igisohotse mukanwa kanyu kidahwanye n'ibwirizwa ry'Imana, igihe mwagirije, mugatuka canke mukavuga amajambo mabi

kuri mugenzawe, gende mubonane mumusabe ikigongwe. Niyababababarira, Data wo mw'ijuru kandi ahoraho muri jewe, Kristo, ndababababarira kandi. Ariko mugenzi wanyu niyanka kubababababarira, So wo mw'ijuru muri jewe, Kristo, ntazobababababarira na gato.

«Iyuzuze vuba cane bigishoboka n'umwansi wawe, bigishoboka ko inzira zanyu zihwana...»

Ntutebagane gushira kurutonde ivyaha wakoreye mugenzawe!

Bitunganye vuba cane, kuko mugenzawe aracakurikira co kimwe nawe inzira y'ubuzima kw'isi.

Ehe, imbere y'uko ibimutegereje bimushikira, umuntu araburirwa na Mpwemu w'ubuzima, we buzima bw'umushaha, biciye kumumarayika wiwe murinzi canke kuri bagenziwe. Amajambo atera intege avuye kuri Mpwemu w'Imana n'imyiyumvire mitomito cane itemba ivuye mumushaha canke ivyo twongorewe n'umumarayika murinzi mw'isi y'imyiyumvire canke y'ivyiyumviro. Bihanura ikiremwa muntu guhindura uburyo ciyumvira canke gushira kurutonde ivyo yakoze.

«Ariko jeho ndababwira...: Mukunde abansi banyu, mugirire neza ababanka.»

Umwe wese ategerezwa, kubona buri kiremwa muntu nka mugenzi we, umuvukanyi, mutegerezwa kandi gufata umwansi wanyu yibonekeza nka mugenzawe kandi mukihatira kumukunda urukundo rutarondera inyungu.

Uwugaragara nk'umwansi kuri mwebwe arashobora kuba nk'icirore ciza cane kibigisha kumenya abo muri bo. Kuko iyo ikintu kibatsitaje muri mwebwe, bisigura ko namwe kiba kibarimwo canke mufise kamere zisa naco.

«Kuko nimwakunda ababakunda, ingero yanyu ni iyihe?»

Emera kandi wakire mugenzawe mu mutima wawe, nubwo we atagukunda, atagufasha kandi akagusuzugura mukwanka kukuramutsa. Weho, mukunde! Weho, mufashe murukundo rutarondera inyungu kandi muramutse, bikoreke mu vyiyumviro, igihe avyanse mu majambo.

Nk'ukw'izuba ritanga umuco kw'isi, tange murukundo rutarondera inyungu kandi mwu-

bahe abantu bose, igifise ubuzima cose. Ntimuhate mugenzi wanyu mukumubwira ivyo ategerezwa kwumva. Ntimugire ubutandukane nk'uko abantu basangiye ivyiyumviro n'inyifato babigira kandi bagakumira abiyumvira n'abakora mu buryo bunyuranye n'ubwabo.

«Kandi iyo wipfuza ikintu gishobora guteza umubabaro n'uruhagarara kuri bagenzawe, kirandure mu mutima wawe...

Mube rero agahore, nk'uko So wo mw'ijuru ari agahore.»

Igihe igihano n'umubabaro bigushitseko, ntiwagirize mugenzawe ngo niwe abiguteje; ni wewe uvyiteye, ntabwo ari we. N'ingaruka zivyo wabivye mumushaha wawe biriko vy'igaragaza nk'umwimbu mumubiri wawe, canke biciye mu mubiri wawe. Jewe ubwanje, Kristo, Umucunguzi wawe, nshobora kukubohora, ariko ni mugihe conyene wemeye kwihana no kudasubira gukora ca caha nyene canke igisa naco. Umutwaro rero uzoca ukurwa mu mushaha wawe kandi uzogenda uguwe neza.

«Ni watanga, ntiwemere ko ikiganza cawe c'ukubamfu kimenya ico ikiganza cawe c'ukuryo cakoze, kugira ingabire yawe igume mw'ibanga.»

Ukora iciza akipfuza gushimagizwa no gushimirwa, niwe aba acikoreye, ntabwo abagikoreye mugenzi we.

«Igihe usenga,iherere mu cumba...»

Igihe usenga, iherere mu cumba c'agacerere kandi wiyinjiremwo ibwina cane muri wewe nyene, kuko uri ingoro ya Mpwemu wa Data aba muri wewe.

Ehe, uko umuntu yibira cane mukuri kw'Imana, niko ataba agikeneye amajambo menshi mukuvuga no mwisengesho. Amasengesho yiwe aba magufi ariko y'ububasha, kuko amajambo yiwe arimwo inkomezi.

«...ntimwihebure nk 'abatagira ivyizigiro.»

Ntimuririre abanyu bapfuye!

Ukubaho kw'isi, m'umubiri, si bwo buzima bw'umushaha. Umushaha winjira m'umubiri kubwo igihe gito, kugira utunganye kandi wishure uri m'umubiri ivyo wakoze mumagarukagaruka atandukanye.

Tahura ko umushaha wamaze kumurikirwa n'umuco, iyo uvuye m'umubiri uba ubohotse.

Umushaha uriyumvamwo iminezero n'imibabaro y'abagenzi bawo. Imishaha ivuye m'umubiri iri muri Jewe, Kristo, iriyumvamwo ko yunzwe na Jewe, Kristo, kuri iyo yose ikiri kw'isi mw'igarukagaruka. Umunezero umushaha ugira iyo utahuye ko bagenzi bawo bawiyumvirako m'urukundo uwuzuza inkomezi.

Amasengesho y'urukundo rutarondera inyungu yerekejwe k'umushaha werekeje ku Mana awuha inkomezi n'ubwuzure.

Uriyumvamwo ubumwe buri murayo masengesho kandi ukabwakiramwo izindi nkomezi ziyongeye.

Ni urukundo n'ubumwe vyonyene kuri mugenzawe vyereka umushaha n'ikiremwa muntu inzira ija kubuzima bwo hejuru.

«*Ntawukorera abami babiri.*»

Kw'isi nk'ikiremwa muntu canke Kumasi yo gutyororerwako nk'umushaha, umwe wese umusi umwe azisanga imbere yo guhitamwo: gukorera Imana canke Mamoni, kuba kuruhande rw'Imana canke kutaba kuruhande

rwayo. Hagati y'ivyo bibiri ntakiriho: ushobora kuba kuruhande rw'Imana canke kuruhande rwa satani.

«...ntimuhagarikwe imitima n'ibigoye vy'ejo...»

Uwushitsa ubugombe bw'Imana ni uwutegekanya mwiza.

Tegekanya buri musi kandi muwupangire neza! Panga kandi musigaze umwanya w ibihe vyo kwiyakira aho mushobora kuronka agacerere k'imbere kandi mukiyumvira kubuzima bwanyu no kunteguro yanyu. Integuro y'umusi, iteguye neza kandi igashirwa mubiganza vy'Imana, ituma ubugombe bwayo bwuzura.

N'uwutizigiy 'Imana gusa ahagarikwa umutima n'ivy 'ejo kandi areka imisi ikijana ataco ayimajije.

«Ntimutsindishe, namwe mukazitsindisha ubwanyu.»

Ehe, ivyiyumviro vyanyu, amajambo n'ibikorwa vyanyu bibi nivyo bibacira urubanza.

Muzisanga umusi umwe ivyo mwiyumvira, muvuga kandi mukorera bagenzi banyu arivyo muriko mubamwo.

«Kuberiki uraba akatsi kari mujisho rya mugenzawe, nturabe inkingi iri muryawe?»

Uwuvuga nabi mugenzi we, akamutesha agaciro kandi akamuvuga ibibi, ntatahura amakosa yiwe.

Muzobamenyera kuvyo bama! Umwe wese yerekana ubwiwe ko ahwanye n'ivyo yama. Uwushavurira bagenziwe akabarementaniriza yishingira intahe y'ico ari koko.

Uwibohora mumakosa yiwe aba anashoboye gufasha mugenziwe. Nuko, kuvuga amakosa y'umuvukanyi wawe mugasuzuguro, ni ukugaragaza ubwibone kandi ni ukutabona inkingi iri mujisho ryame.

«Ico mushaka ko abandi babagirira, kibakorere...»

Ni uguhonyanga ibwirizwa ry'Imana guhata mugenzawe, witezeko, akora, avuga canke yifata uko we atavyifuza.

Nimba utahura ivyo uhadikiriza mugenzawe, zimuruka vuba kandi ukore wewe nyene ivyo wamutegeka gukora.

Ico mudashaka ko babagirira, ntimugikorere abandi kuko ivyo murungika bizobagarukako. Nico gituma, suzume ivyiyumviro vyanyu kandi cungere imvugo yanyu.

«...ngereranya uwumva ijambo ryanje akarikurikiza n'umuntu w'umunyabwenge yubatse inzu yiwe ikomeye kurutare.»

Bivuye mugitabo:

«Iri ni Ijambo ryanje. Alufa na Omega.
Ubutumwa bwiza bwa Yesu.
Ubuhishuzi bwa Kristo w'Imana buzwi
n'abakristo nyakuri b'isi yose.»

Igitabo kiriho mu gifaransa n'icongereza

Udutabo turi mu Kirundi dutangwa k'ubuntu



- Yesu n'ibikoko
- Imana muri twebwe
- Nturere amaboko! Komeza!
- Aho babiri canke batatu bakoraniye mw'izina ryanje, ndi hagati muribo
- Kuronka imfashanyo mu ngwara no mu mubabaro
- Ubuzima butunze gushika mu zabukuru

Amabwirizwa Cumi Y'Imana

yatanzwe biciye muri Mose, asiguwe mu mvugo y'uyu musi



Ni gute twotahura amabwirizwa cumi no kuyashira mu ngiro mu buzima bwa misi yose? Amabwirizwa cumi n'impanuro zihambaye z'ubuzima zitujana ku mahoro y'imbere no ku mwidegemvyo, kandi zidufasha kwiyegereza Imana intambuko ku yindi, Mpwemu yidegemvya, muri twebwe no mugifise ubuzima cose. *(Impapuro 40)*

Utu dutabo turaboneka kandi mugifaransa no muzindi ndimi nyinshi!

Infos en français par WhatsApp: +49 159 08 45 45 05
Gabriele-publishing.com



Gabriele Publishing
The Word

Max-Braun-Straße 2 • 97828 Marktheidenfed • Germany

www.gabriele-publishing.com